REPUBLIKA Y'UBURUNDI

UBUSHIKIRANGANJI W'UBUTARE N'AGATAKA,
AMASOKO NTANGANGUVU, AMAHINGURIRO,
UBUDANDAJI N'INGENZI

IBIRO VY'UMUSHIKIRAGANJI

ITANGAZO No ...../2026 RIJANYE NO GUSHINGA IGICIRO C'AMABABI Y'ICAYI 0009

Ubushikiranganji bw'Ubutare n'Agataka, Amasoko ntanganguvu, Amahinguriro, Ubudandaji n'Ingenzi buramenyesha abenegihugu bose, na canecane abarimyi b'icayi hamwe n'abandi bose bakorera mu gisata c'icayi, ibi bikurikira:

1. Mu Nama Nshikiranganji yabaye ku musi wa gatatu igenekerezo rya 18 Munyonyo 2026, Inama Nshikiranganji yarihweje yongera iremeza urwandiko rujanye no gushinga igiciro co kugura ikilo c'amababi y'icayi meza mabisi.

2. Inyuma y'uwo mwihwezo, Ubushikiraganji bushinze ko ikilo kimwe c'amababi y'icayi meza kiva ku mafaranga y'amarundi amajana atanu **(FBU 500)** kikaja ku mafaranga y'amarundi igihumbi **(FBU 1.000)**. Iyo ngingo yerekana umwitwarariko wa Reta wo kwumviriza ivyipfuzo n'ibibazo vy'abarimyi, kubandanya ishigikira abarimyi mu twigoro twabo, no guteza imbere igisata c'icayi mu buryo burama.

3. Abarimyi na bo basabwa kugira uruhara rugaragara mw'iterambere ry'igisata c'icayi, mu gukorera neza no kwitaho imirima y'icayi yahebwe, mu gusubiriza ibiti vy'icayi vyaranduwe canke bitagitanga neza umwimbu, hamwe no gukurikiza uburyo bwiza bwo kurima igiterwa c'icayi. Basabwa kandi gukurikiza ikirangaminsi c'ugusoroma amababi yose y'icayi meza, bakurikije amategeko agenga uburyo bwo gusoroma neza n'urugero rw'akaranga bisabwa, na canecane urugero rufatirwako bita « Pekoe+2 ».

4. Birabujijwe rwose guheba umurima w'icayi, kurandura canke guturira ibiti vy'icayi. Ubushikiraganji buhamagariye abajejwe intwaro bo ku nzego zose gukingira imirima y'icayi, kuko ari igiterwa kizanira igihugu amafaranga mvamakungu kikongera kikaronsa amikoro imiryango.

5. Ubushikiraganji burateye akamo Ishirahamwe rijejwe Icayi mu Burundi (OTB) ko ryokomeza intwaro ibereye, inyigisho n'impanuro z'ubuhinga zihabwa abarimyi, gutuma uburyo bwo kwegeranya umwimbu no kuwuhingura bukorwa neza kuruta, hamwe n'ugutuma akaranga n'uburyohe vy'icayi c'Uburundi bishobora kuronka ikibanza ciza mu guhiganwa ku masoko.

6. Abakora mu gisata c'icayi bose barasabwa gutsimbataza ugukorana n'ugufashanya, na canecane mu gushira imbere gukorera mu muco no mu kuri igihe hasuzumwa akaranga k'umwimbu imbere yuko ugurwa, igihe c'ugupima uburemere bwawo, mu kwegeranya umwimbu no guhemba abarimyi ku gihe, hamwe no kwongereza umwimbu n'akaranga kawo muri rusangi.

7. Ubushikiraganji burasubiriye kwemeza ko iterambere rirama ry'igisata c'icayi rishingiye ku mwitwarariko w'ugukorera hamwe kw'abo bose bakorera muri ico gisata, kugira ngo amikoro y'abarimyi b'icayi yiyongere, ubushobozi bw'ishirahamwe OTB butere imbere, kandi ico gisata kigire ico giterera mw'iterambere ry'ivy'ubutunzi n'ivy'imibano mu gihugu cacu c'Uburundi.

Bigiriwe i Bujumbura, ku wa 25 / Munyonyo / 2026

UMUSHIKIRANGANJI W'UBUTARE N'AGATAKA, AMASOKO NTANGANGUVU, AMAHINGURIRO, UBUDANDAJI N'INGENZI

REPUBLIQUE DU BURUNDI
CABINET DU MINISTRE
B.P. 745 BUJUMBURA
Tél: 22 22 51 01

Dr. Hassan KIBEYA